**Bible lessons.** **Lesson 28** **DECEPTION, DISTRUST, DISCIPLINE**

**Genesis 29:15-30**

**Memory verse: "And we indeed justly, for we receive the due reward for our deeds."**
**Luke 23:41a**

## GUHEMUKIRWA, GUSUBIRIZWA MU NKOKO NO KWIGISHWA

**Icirwa ca 42**

**Itang. 29:15-30 ;**

Umurungo ngenderwako : ***« Tweho turishuye ; kuko tugiriwe ibihwanye n'ivyo twakoze. »*** **Luk. 23:41a**

### I. Intangamarara

Nyuma yaho Yakobo aroteye inzozi abona abamarayika baduga abandi bamanuka aho asinziriye mugahinga, yarabandanije inzira aja kwa Labani. Arahashika, ashikanyweho na Rakeli umukobwa wa Labani bahuriye kw'iriba azanye intama kunwa amazi.

Ubuzima bwa Yakobo kwa Labani bwaranzwe n'amajambo atatu : ***Indero, guhemukirwa(ububeshi) no gusubizwa mu nkoko.***

### II. Inkwano

Muri iyo misi mukuvuga ko umwigeme ari mwiza bavuga ngo ni « maso y'inyana, cow eyed ». Abo bakobwa ba Labani ; umuto yari maso y'inyana mukuru yasa n'uwuraba imirazi. Yakobo asaba ko bomushingira uwo muto Rakeli. Labani aramwemerera amusaba inkwano : Gukora imyaka indwi ataco ahembwa. Iyo imubera nk'imisi mikeya. Iki cerekana urukundo yamukunda no kubaha abavyeyi biwe.

Igihe cose umusore yiyumvira kurongora, bisaba ko imbere yuko arangaguza abakobwa babandi, abanze yegeranye inkwano azotanga, bitabaye ivyo azosa n'umusuma. N'umugabo yakiriye Yesu akaba ntaratanga inkwano z'abavyeyi b'umukobwa ; asabwa kuzitanga kuva akimurikirwa n'umuco w'agakiza. Ntawemererwa kuba umuyobozi w'ishengero ataratanga inkwono ku bavyeyi b'umugore wiwe.

**III. Umubeshi, nawe abeshwa. = Umuhemutsi, ahemukirwa.**

Umurongo wa 21 uratwereka ikinyoma n'ubuhemu bwabaye hagati y'umukwe na sebukwe. Inkwano yarishwe. Gukora **imisi 2.555**. Harura ayo ukorera k'umusi wumve uko aca angana. Yakobo ati « *Mpa umugore wanje rero* » sebukwe ntiyatinye gutegura umusi mukuru, atumira ababanyi. Yakoba ahari mw 'ihema yumva ko mukanya azoba yicaranye na Rakeli uwo yakoye, yamara asanga sebukwe yamubeshe amuha Reya.

Izuba rirashe, yikangura avuga ngo ndabaye umugabo, arahindukira ngo amusome, asanga ni Leya umwe w'akajisho. Ati, wewe waje gukora iki hano ? Arashavura. Yibagiye ko ukora inabi ikagukurikira, yakoresheje ikinyoma ahemukira mwenewabo amwiba umugisha, none no kuri we, hakoze ikinyoma arahemukirwa. Umuhinga ahingurwa n'uwundi. Ntiyarakwiye kurakara.

**IV. Intambara kubw'abana.**

Soma **umurongo 31-35**. Uhoraho abikora uko abigomvye ; ashima guha umunezero Leya mukumuha abana, Rakeli abanza kubabura agera naho abwira umugabo ngo : « *Mpa abana utabampaye mpfume mpfa.* » **Itang 30:1-2** Yakobo yishuye nk'umuhinga muvyirondoka (Biologiste) kandi yuzuye Mpwemu Yera ati : *« Mbega jewe ndi mugishingo c'Imana. »* ukwihangana kubuze amuha incore yiwe.

Aha niho ingo nyinshi zinanirwa kuko iyo batavyaye canke bakavyara igitsina kimwe amatati aratangura, ukwihangana kwabura umwe muri aba agahemukira mugenziwe akaja kubarondera mu bandi hanze. Hari n'abagabo batunze abana batavyaye.

Nyuma y'ivyo ; Rakeli yararone abana2. Itang. 30 :22-24(Yosefu) ; **35:18** (Benyamini) Yakobo yaravyaye no kuncoreke z'abagore biwe. Abahungu bose Isirayeri yavyaye ni 12 :

**Aba Leya** : 1. Reyubeni 2. Simeyoni 3. Lewi 4. Yuda 5. Isakari 6. Zebuloni<br>
**Aba Rakeli** : 1.Yosefu 2. Benyamini<br>
**Aba Biluha** incoreke ya Rakeli ni : Dani na Nafutali.<br>
**Aba Zilpa** incoreke ya Leya ni : Gadi na Asheri.

Yakobo asaba Labani ko amureka akisubirirra iwabo ariko ntivyamushimisha, uku n iko Satani akora ibishoboka kugira ntihagira uwumucika ngo yakira agakiza.

**V. Gushira mungiro.**

1. ***Ico ubiba nico wimbura,*** igihe cose ukomerekeje mugenzawe mu kumuhemukira, kumwiba, kumubesha, kumwishimako,… izo ni imbuto uba uriko urabiba uzokwimbura ivyamwa vyazo. Uturorero: guhemukirwa icese, kubeshwa nawe, gukozwa isoni, gukomeretswa,… kandi ubwoba buzokwama bwuzuye umutima wawe kubw'ibibi wakoreye abandi.

**2.** Umugambi w'Imana k'umuntu wama ari mwiza ku muntu kuko ari RUKUNDO. Yakobo ntiyari aryohewe n'uko bamuhaye Leya, ariko niwe yavyaye Lewi yavuyemwo abalewi babaye abakozi bo murushengero rw'Uhoraho kuko umuryango wa Lewi niwe wavutsemo Mose na Aroni ababaye abakozi b'Umwami no kugeza gupfa. Havukamwo Dawidi, m'urunganwe rwiwe havukamwa **Yesu Kristo**

Birashoboka ko Imana ikoresha ibiboneka nabi canke ibinyantege nke mu maso y'abantu kugira ikize abandi benshi. Reka kwidodombera Imana uravye ivyo uriko uracamwo, ubuzima bugoye, abana bamugaye, ukutavyara,… Vyose Imana irabibona, birashoboka ko muri ivyo nyene ariho ugutabarwa kwawe kuri.